Gushurashuza Abana (Sexual Exploitation of Children)

Gushurashura ntivyemewe n'ubutungane kandi n'icaha gikomeye. Gushurashura n'igihe usavye canke usoresha mukugira imibonano mpuzabitsina, gukaba no gutanga no kwakira utuganuke canke mugufatankunzi, canke gukaba n'ibindi nk' ibifungurwa, ahuba, ibiyovyabwenge canke amahera. Ishurashuza ry'abana niharya umuntu akuze canke umuntu afise icicaro kimugira umwizigirwa canke kimuha ububasha nk'incuti, umwigisha, umushikiranganji, umunyamategeko, kuko arumwana(munsi y'imyaka 18) vyoroshe kumuhotora baka baboneraho kumushurashuza. Gushurashuza bishirahamwe gukorakora igihimba icaricocose c'umubiri c'umuntu akirimuto canke gusaba umuntu akirimuto gukorakora uwundi muntu kumpamvu zo guhuza ibitsina.

Ninde ashurashuzwa?

Mubantu bakiri bato benshi baba incungu yogushurashuzwa ni abigitsina gore, mugabo n'abahungu nyene barashurashuzwa. Benshi baba barabaye mundyane zomumiryango, baratwawe n'ibiyayuramutwe canke barahohotewe bakiri abana nko mukutitabwaho, gukubitwa canke mugushurashuzwa. Benshi barabaye bamayibobo mugihe gitoyi canke kirekire, ni muri kinogihe abakuze baboneraho akaryo ko kubasambanya.

Imyaka yogushobora kwiyemangira imibonanompuza bitsina n'iyihe?

Muri Canada ni kumyaka 16. Iyi n'imyaka umuntu afatwa ko akuze bihagije ngo ashobore kwifatira ingingo zijanye noguhuza ibitsina. Nahonyene kumyaka 16 boba bakuze bihagije mukwifatira ingingo zijanye nokugira imibonanao mpuzabitsina, ntibaraba abantu bakuze. Muri Manitoba umuntu afatwa nk'umuntu akuze amaze gushikana imyaka 18. Uwimyaka 16 ashobora kwemera kugira imibonano mpuzabitsina n'uwukuze nimba honyene uwo muntu akuze atari mucicaro kimuha ububasha canke icubahiro. Biciyekubiri n'ubutungane k'umuntu akuze gukoresha ububasha canke icubahiro afise ngo ashobore kugondoza kugirana imibonano mpuzabitsina n'uwowese ari munsi y'imyaka 18. Izo n'inshingano z'umuntu akuze wese kwubaha ubutungane.

Haba iki iyowagiriwe n'icaha co gushurashuza abana?

Nimba wagiriwe n'icaha co gushurashuza abana bari munsi y'imyaka 16 ushobora gufungwa gushika kumyaka 10, ushobora no kwirukanwa kuba muri Canada. Iyongeso yawe iragira inkurikizi k'umuryango wawe ikanatukisha abo mukomoka hamwe. Polisi izoshira izina ryawe kuri zaordinate kuburyo uwariwe wese ashobora kubona amabi ukora. Bizotuma ubaho ubuzima bwawe bwose nk'ikimaramare kandi ushobora nokugira ingorane zokuronka akazi n'aho uba.

N'izihe nkurikizi z'amagara?

Umwana yashurashujwe ashobora kuba afise indwara zandukira ziciye mumibonano mpuzabitsina(STI) canke umugera utera indwara ya sida(HIV). Nimba ugize imibonano mpuzabitsina udakoresheje agakikingirizo, uwo mwana arashobora kukwanduza canke ukanduza uyomwana(STI). Niba ufise canke wanduje (STI), birorohereza umugera wa sida kwandukira. Umugera wa sida utera ingwara isinzikaza kandi ntamuti igira. Iyo wanduye umugera wasida ntavyumenya kubera ntabimenyesho werekana. Naho woba atabimenyesho werekana ubandanya wanduza abomuhuza ibitsina, umugabo wawe canke umugore wawe, n'abana uzovyara.

Wokora iki umenye umuntu ashurashuza abana?

N’inshingano z’umuntu wese akuze gukingira abana ubushurashuzi. Ukaba ufise ubwoba bw’uko umwana ashurashuzwa canke ahohoterwa, wobimenyesha Polisi, “Child and Family Services”, canke kw’ ivuriro mugisata kiraba indwara zandukira biciye mumibonano mpuzabitsina. Ntutegerezwa gutanga izina ryawe n’amakuru utanze aba ibanga. Niwaba utazi ingene wobimenyesha, bivugane n’umuhanuzi abigufashe.

Ibikorwa bikurikira ntibijanye n’ubutungane. Wobimenyesha Polisi nimba:

- Ubonye umuntu akuze agomba gushurashuza umuntu ari munsi y’imyaka 18
- Uziko uryamuntu adandaza imibonano mpuzabitsina
- Usanze kuri ordinateri ibicapwa vyerekana ishurashuza ry’abana
- Umwana agira ibiganiro bijanye n’ubushurashuzi kuri internet
- Utoye umurongo wa internet wamamaza ubukera rugendo bufatiye k’ubushurashuzi bw’abana.
- Uketse mukibano cawe inzu ikoreshwa mugushurashuza abana
- Ukaba uziko umwana ahohoterwa mumuryango iwabo, kw’ishure canke aharihohose

Ushobora kumenyesha ivyobikorwa bigayitse ubicishije kumurongo wa internet www.cybertip.ca, utelefone Polisi ya Winnipeg kunomero 986-3464, canke uri e-mail: wps-vice@winnipeg.ca. Ushaka izindi nsobanuro kuri kino cirwa, jakumurongo www.stopsexwithkids.ca.